Kwegeranya inkuru zerekeranye n'ibanga

HomeStart iregeranya inkuru zawe wisangije (vyaba biciye kuri wewe nyene ubwawe canke biciye ku mukozi wacu yashinzwe akorana no gutanga ingurane) kugira ngo dushobore kukuronsa ivyo dutanga nk'ingurane hamwe n'ibikorwa bijanye n'ukwo gutanga ingurane. Hamwe utoduha inkuru isabwa na HomeStart, birashoboka yuko ata co twoshobora kugufasha. Nk'akarorero, hamwe utoduha inkuru zihagije ku gatwe kawe canke inkuru zerekeranye n'amahera uronka canke ukorera igihe woba uriko urabaza ivyerekeranye n'ingurane ya HomeStart canke igihe usaba ingurane ya HomeStart, ntibishoboka yuko twoshira mu ngiro ivyo usaba canke ngo tuguhe ingurane wasavye.

HomeStart irashobora gukoresha inkuru zawe wisangije ku zindi ntumbero canke impamvu zisabwa ku vyo abanywanyi baba bitezweko, nk'ukuguha inkuru zerekeranye n'ivyo HomeStart itanga, canke ku bushakashatsi bwerekeranye n'ukugene abanywanyi ba HomeStart bakira ibikorwa vyayo n'ukugene bayiyumvamwo. Uremera yuko HomeStart ishobora gukoresha inkuru yawe wisangije ku mpamvu nk'izo no kugira ngo ishobore kumenyekanisha ibikorwa vyayo, ariko urashobora kubarira HomeStart umwanya uwo ari wo wose ko udashaka kuronswa inkuru nk'izo canke ko udashaka kugira uruhara muri ivyo (nko mu gukoresha ibikwemerera kuvamwo mu vyo uba warashikirijwe, mu vyo muba mwaravuganye).

Kugira ngo dusuzume ko uri mu bemererwa kuronka ingurane, canke ku kugene ingurane yawe iriko irakoreshwa, HomeStart mu bisanzwe izoshira ahabona inkuru zawe canke ibikwerekeye wisangije ibihe abajejwe kubibika ku buhinga bw'ivyanditswe ku mashini nyabwonko, ku gutanga icegeranyo c'abo yahaye ingurane (Equifax aho ivyiwe bishobora kuboneka kuri: Equifax.com.au/contact) abanda batanga ingurane, abasaba, abaheranye, abubatsi, udusandugu tw'amakete turi ku mazu, inganda zibika impapuro ziriko ibigenga abanywanyi, hamwe n'abo twashinze igikorwa co kuturabira ibijanye no gutanga ingurane. Inkuru bazohabwa izogarukira ku bisabwa gusa kugira ngo hatangwe ivyerekeranye na HomeStart canke kugira ngo hisungwe amategeko yayo n'ivyo isabwa gukurikiza hisunzwe amategeko ayigenga.

HomeStart ikoresha abanda bantu bo hanze kugira ngo badufashe gutanga ubutumwa buciye mu guhanahana amakuru ku banywanyi bacu biciye mu ma emails. Ibi rero bica bisaba ko dushira ahabona inkuru zawe wisangije ku wujejwe gukwiragiza no kurungikira ubutumwa abo banywanyi bose kuko afise ububasha bwo kwegeraniriza izo nkuru hamwe akazibika hariya muri Reta Zunze Ubumwe ya Amerika (USA). Mu bihe nk'ivyo, turatera intambwe mu gusuzuma yuko inkuru zawe zizokoreshwa mu buryo bwiza kandi zikabikwa mu buryo ziba mu mutekano nta ngere, aho atawupfa kuzishikira atabifitiye uburenganzira.

Mw'Itegeko ryerekeranye n'ibanga rya HomeStart hamwe n'Itegeko rya HomeStart ryerekeranye n'ugutanga ivyegeranyo vy'amadeni harimwo inkuru z'ukugene ushora :

- Gushikira inkuru zawe wisangije hamwe n'inkuru z'uko ushobora kuba umunywanyi zibitswe na HomeStart.

- Ushobora kurondera gukosora inkuru wisangije zikwerekeye, ibijanye n'amahera uronka canke ideni ufitiye HomeStart, canke ko ushobora kwemererwa gusaba ideni bibitswe na HomeStart kand ko

- Ushobora kuyitwarira iyo yarenze amasezerano mwagiraniye yerekeranye n' amahame ya HomeStart yo muri Australia, ivyerekeranye n'itegeko ryo kwandika icegeranyo c'ivyo umuntu aronka nk'amahera canke igisata 3 c'igice ca III A cerekeranye n'Itegeko ry'Ukutavogerwa n'ukugene hazotorerwa umuti ikibazo nk'ico, canke imyidogo nk'iyo

Urashobora kuraba ibijanye n'itegeko ry'Ukutavogerwa rya HomeStart hamwe n'itegeko rijanye n'icegeranyo c'amahera umuntu ahembwa ku rubuga ngurukanabumenyi aha hakurikira homestart.com.au/privacy.

Usabwe kuraba kuri policy@homestart.com.au kandi nimba ufise ikibazo ico ari co cose canke ico ubaza ku bijanye n'Itegeko ry'Ukutavogerwa.